# 106: Sinterw' isoni na Yesu

1. Sinterw' isoni na Yesu,
N'iz’ ishaka ryiwe,
N'iz’ Ijambo ryiwe ryera,
N'iz' umusaraba.

Ref: Ku musaraba wiwe ni ho naturiwe
Umutwaro w'ivyaha vyanje:
Nizeye ndahumuka mbon' umuco,
Kubg' ivyo mpora nnezerewe.

2. Izina rya Yesu wanje
Ni ryo nishimiye;
Nzi kw’atazonyihakana,
Kuko mmwizigiye.

3. Yesu ntazohindur' ivyo
Yansezeranije,
Kukw ico namubikije
Azokizigama.

4. Azonyemera mw’ijuru
Nah’ata co mmaze,
Mu ngoro y' Umwam' Imana
Azomp' ikibanza.

Visit us at burundi.indirimbo.com